Sénat

# INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

GISOHOKA RIMWE MU KWEZI N°071 Ntwarante 2014

## Inama Nkenguzamateka yaragarukiye ku batewe n'umwuzurira w'amazi

Inyuma y'aho hagwiriye imvura igatikiza abantu n'ibintu mw'ijoro ryo kw'igenekerezo ry'9 Ruhuma 2014 mu makaritiye yo mu buraruko bw'igisagara ca Bujumbura, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, aherekejwe n'ivyegera vyiwe bibiri hamwe n'abakozi bo muri urwo rwego, yarifadikanije n'abashikiwe n'ivyo vyago mu gusibura ibibanza vyari vyononekaye, ku magenekerezo ya 15 na 22 Ruhuhuma uno mwaka.

*Uva i bubamfu: umukenguzamateka Révocate Gakobwa, ba Nyakwubahwa Persille Mwidogo, Gabriel Ntisezerana na Pontien Niyongabo.*

Muri ivyo bikorwa, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yifadikanije n'abenegihugu bo muri karitiye Carama yo muri komine Kinama na karitiye Nkenga-Busoro yo muri komine Kanyosha, mu gisagara ca Bujumbura.

Inama Nkenguzamateka ntiyahagarikiye mu gufasha gusibura ibibanza vyari vyononekaye. Kw'igenekerezo rya mbere Ntwarante, Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Persille Mwidogo, n'Icegera ca kabiri, Nyakwubahwa Pontien Niyongabo, baherekejwe n'abakozi bo muri urwo rwego, baratanze imfashanyo z'imfungurwa n'ibikoresho vyo mu nzu mu makomine ya Kinama na Buterere.

Izo mfashanyo zari ziciye imiriyoni 12 z'amafaranga y'Uburundi. Zikaba zari zigizwe n'imifuko 80 y'ifu y'imyumbati, imifuko 90 y'amakara, Imbabura 105, amapaki 863 y'amasabuni, imikeka 320, uburengeti 320 n'impuzu zitandukanye z'abana n'abakuze.

Si ubwa mbere Inama Nkenguzamateka igarukira ku benegihugu bashikiwe n'ivyaduka mu ntara zitandukanye, ndetse n'igihe isoko nkuru ya Bujumbura yasha, Inama Nkenguzamateka yaratererereye amafaranga atari make.

*Ivyegera vy'umukuru w'Inama Nkenguzamateka (hagati) batanga imfashanyo mu Kinama*

## Ibiganiro bihuza Inama Nkenguzamateka n'abajenama b'amakomine bituma iterambere ritsimbatara

Nk'uko vyashikirijwe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana ariko yugurura inama y'iminsi ibiri yahuje abakenguzamateka n'abajenama b'amakomine agize intara ya Kayanza, ku magenekerezo ya 27 na 28 Ruhuhuma 2014, ibiganiro bihuza abakenguzamateka n'abajenama b'amakomine ni akaryo ko kunoganza ivyokorwa n'inzego zitandukanye kugira ngo abenegihugu bashikire iterambere rirama.

Inama yabereye mu Kayanza kabaye akaryo ko guhanahana ivyiyumviro ku bibazo vyerekeye gutsimbataza igiporisi cegereye abenegihugu, akamaro k'abajenama b'amakomine mu gutsimbataza intwaro ibereye, kurwanya igiturire no gusesagura amatungo ya Reta, gukingira ibidukikije, kubumbatira amahoro n'umutekano, akamaro k'ikigega kijejwe guteza imbere amakomine (FONIC) no kwegereza ubutegetsi abenegihugu.

*Uva i buryo: Nyakwubahwa Persille Mwidogo, Lydia Maximus (icegera c'umukuru wa AWEPA), ba Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana na Pontien Niyongabo hamwe na Canisius Ndayimanisha*

Bamaze guca hirya no hino ivyari ku rutonde rw'iyo nama y'iminsi ibiri, mu gusozera, abitavye ihuriro barabonye ko intara ya Kayanza ishobora gutera imbere kubera ko ifise amahoro, ihinguriro rikomeye ry'icayi, ikawa y'akanovera n'intererano y'ikigega FONIC.

Vyagaragaye ko abanyakayanza bagiye hamwe, bakabifashwamwo n'abavukantara, bagakoresha ubwenge, umutima n'inguvu bahawe n'Imana, bakongera bagashira mu ngiro ivyo biyemeje muri iyo nama, si agaseseshwarumuri ko iterambere rirama, riva ku benegihugu rikongera rikabagarukako rishoboka mu ntara ya Kayanza.

Inama Nkenguzamateka yatanguje inama zihuza abakenguzamateka n'abajenama b'amakomine kuva mu mwaka w'2007.

## Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ahimiriza abanyakayanza kwijukira ibikorwa vy'iterambere

Mu rugendo yamazemwo iminsi itatu mu ntara ya Kayanza kuva kw'igenekerezo rya 26 gushika ku rya 28 Ruhuhuma

*Nyakwubahwa Ntisezerana (i bubamfu) n'abenegihugu mu bikorwa rusangi ku musozi Nyabikaranka/Kayanza*

2014, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yasavye imvukira zo mu ntara ya Kayanza kubandanya bijukira ibikorwa vy'iterambere, kurungika abana mw'ishure, gukingira ibidukikije, kurima no kworora kijambere, kuvyara ku rugero, kwima amatwi ababasamaza no kubandanya batsimbataza amahoro n'umutekano.

Ivyo yabishikirije kw'igenekerezo rya 28 Ruhuhuma 2014 ahejeje ibikorwa ku musozi Nyabikaranka, zone Kabuye, komine Kayanza. Muri ivyo bikorwa, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yifadikanije n'abenegihugu kuvanga no gusiga isima mu nzu y'inama yo kw'ishure ryisumbuye rya komine ry'i Kabuye.

Muri iyo ntara ya Kayanza, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yari yaherekejwe n'ivyegera vyiwe bibiri hamwe n'abakenguzamateka.

Kw'igenekerezo rya 26 baragendeye amashirahamwe arima ibiraya ku mutumba Tondero wo muri komine Kabarore. Kuri uwo munsi nyene barishikiye ku rugomero rw'umuyagankuba hamwe no kw'ihinguriro ry'icayi vyo mu Rwegura.

*Abakenguzamateka bagenderea ihinguriro ry'icayi ryo mu Rwegura*

**Apollinaire Ruhanga**

# Amazina y'abemejwe n'Inama Nkenguzamateka mu mabanga ahambaye

## *Abizewe n'Umukuru w'igihugu*

Kw'igenekerezo rya 13 ruhuhuma 2014, abakenguzamateka baremeje Bazombanza Prosper ngo abe icegera ca mbere c'Umukuru w'iguhugu kugira ngo asubirire Berenarudo Busokoza yari ahejeje kubogozwa n'Umukuru w'igihugu.

*Abakenguzamateka mu ngoro y'amakoraniro*

Inama Nkenguzamateka yarongeye yemeza Njiji Désire ngo abe buramatari w'intara ya Cankuzo, kw'igenekerezo rya 20 ruhuhuma uno mwaka. Kuri uwo munsi nyene haremejwe umusirikare Godefroid Niyombare w'ipete rya Jenerari, ngo aje guserukira Uburundi mu gihugu ca Kenya.

Abakenguzamateka barongeye baremeza Jenerari Joseph Nkurunziza, kw'igenekerezo rya 25 ruhuhuma 2014, ngo aje guserukira Uburundi mu gihugu ca Somaliya.

## *Abizewe n'Inama Nkenguzamateka*

Kuwa 18 ruhuhuma 2014, Inama Nkenguzamateka yarasubiye kwizera abakenguzamateka Muhungu Jean Bosco, Rugagamiza Chrysologue hamwe na Nicayenzi Libérate ngo babandanye kugenzura ubutunzi n'intwaro muri urwo rwego.

Muri abo bizewe, umukenguzamateka Muhungu ni we mukuru w'uwo murwi, akaba ajejwe gukurikiranira hafi ikoreshwa ry'amafaranga.

Umukenguzamateka Rugagamiza na we ajejwe ivy'uburusho n'imishahara y'abakenguzamateka n'abakozi b'urwo rwego.

Umukenguzamateka Nicayenzi ajejwe itunganywa ry'intwaro mu Nama Nkenguzamateka.

Abakenguzamateka bazezwa ayo mabanga bama bemezwa mw'isasa risanzwe ry'ukwezi kwa Ruhuhuma uko umwaka utashe.

**Clotilde Kampimbare**

# Imigenderanire y'ugufashanya hagati y'Uburundi na Misiri izobandanya itezwa imbere

Uwuserukira igihugu ca Misiri mu Burundi, Attia Alsayed Abou Elnaga, yemeye ko igihugu aserukira kizotanga imfashanyo zo kugarukira ku Barundi bahuye n'impanuka z'umwuzurira w'imvura yaguye mw'ijoro ry'9 ruhuhuma 2014 i Bujumbura.

Ivyo yabishikirije kw'igenekerezo rya 25 ruhuhuma uno mwaka igihe yari ahejeje guhabwa umubonano n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana. Uwo mushitsi yaboneyeho n'akaryo ko gusaba Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ko yofasha mu gutunganya neza amazi y'uruzi Nil narirya igihugu ca Misiri kibeshejweho ahanini n'urwo ruzi, isoko ryarwo rikomoka mu Burundi.

Nyakwubahwa Ntisezerana nawe yemeye ko azovugana na bagenziwe b'ababakenguzamateka hamwe n'abandi bategetsi vyega kugira ngo ivyerekeye uruzi Nil bitunganywe ku neza y'ibihugu vyose vyegwa n'ico kibazo. Yongeye avuga ko Misiri n'Uburundi bizobandanya bitsimbataza imigenderanire y'ugufashanya ihasanzwe mu bisata vy'uburimyi, ubworozi, indero n'ibindi.

Abo bategetsi bipfuje ko iyo migenderanire hagati y'ivyo bihugu yobandanya ikomezwa, baca bavugana n'uko hotunganywa n'imirwi yo gutsimbataza ubucuti n'ugufashanya hagati y'Inama Nshingamateka na

*Nyakwubahwa Ntisezerana na Attia Alsayed mu kiganiro n'abamenyeshamakuru*

Nkenguzamateka z'Uburundi na Misiri n'aho muri iyi minsi ico gihugu kidafise izo nzego.

## Uwuserukira 'Papa' arashima imigenderanire iri hagati y'Uburundi na Vatican

Umwepisikopi Franco Coppola yahora aserukira 'Papa' mu Burundi yarakengurukiye Reta n'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi ku ruhara ntangere izo nzego zagize mu gushira mu ngiro amasezerano y'ugufashanya hagati y'Uburundi na Vatican.

Coppola yabishikirije kw'igenekerezo rya 4 ntwarante uno mwaka aho yari aje gusezera Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana. Akaba ashima imigenderanire y'ubucuti n'ugufashanya yaranze Uburundi na Vatican kuva mu mwaka w'2009, aho yashingwa amabanga y'ubuserukizi mu Burundi.

## Ibanki ijejwe iterambere rya Afrika yiyemeje kubandanya ifasha Uburundi

Mu mubonano wo kw'igenekerezo rya 4 ntwarante 2014 aho Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yakira intumwa 8 z'Ibanki ijejwe iterambere rya Afrika (BAD) zirongowe na Mohamed R.J. MOHAMED, vyamenyekanye ko iyo Banki izobandanya ifasha Uburundi mu migambi y'iterambere no kugwanya ubukene.

*Nyakwubahwa Ntisezerana n'icegera ciwe ca mbere (i buryo) bahejeje kwakira intumwa za BAD*

Uwari arongoye izo ntumwa yavuze ko urugendo bajemwo ruzofasha kumenya imigambi ihambaye yo gufasha n'ibindi bikenewe kugira ngo Ibanki ijejwe iterambere rya Afrika yongereze imfashanyo z'inzego z'igihugu. Yongeye ashikiriza ko bipfuza kumenya cane cane ingene ibisata vy'uburimyi n'amabarabara iyo Banki isanzwe ifashamwo vyifashe.

Nyakwubahwa Ntisezerana yarashimye imfashanyo zitandukanye zitangwa n'iyo banki mu ntumbero yo guteza imbere ivy'imibano n'ubutunzi mu Burundi. Yaboneyeho n'akaryo ko gusaba izo ntumwa gufasha guteza imbere igisata c'umuyagankuba kugira ngo umwimbu wiyongere.

Yipfuje kandi ko iyo Banki yofasha mu kwongerereza ubumenyi abakenguzamateka n'abakozi b'Inama Nkenguzamateka mu ntumbero yo guteza imbere akazi k'ubuhinga muri urwo rwego.

## Imigenderanire hagati y'Uburundi na FMI ibandanya yiyongera

Mu mubonano Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yahaye uwuserukira ikigega FMI mu Burundi, Nyakwubahwa Prosper Young, kw'igenekerezo rya 14 ntwarante 2014, abo banyacubahiro babiri basanze imigenderanire hagati y'Uburundi n'ico kigega yifashe neza.

*Prosper Young na Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana baha ikiganiro abamenyeshamakuru*

Muri uwo mubonano, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yaboneyeho akaryo ko gusaba ko ikigega FMI cogira akigoro kadasanzwe mu gushigikira bimwe biboneka ibisata bikuru bikuru vy'ubuzima bw'igihugu, nk'amagara y'abantu, indero n'uburimyi. Yongeye amenyesha ko Inama Nkenguzamateka izobandanya yitaho gutsimbataza intwaro ibereye, aca aboneraho n'akaryo ko gushima uruhara ruhambaye rw'ikigo OBR mu kwegeranya amafaranga yinjira mu kigega ca Reta.

Umushitsi Prosper Young yasozereye amenyesha ko kubera ikigega FMI gishima ingene Uburundi bukurikiza impanuro mu bijanye n'ugukoresha ingabire canke ingurane, kw'igenekerezo rya 28 ruhuhuma 2014, Uburundi bwaronse imfashanyo y'amafaranga y'amarundi yababa imiriyaridi 15 (5 millions de DTS).

**Benoît Ngendakumana**
**&**
**Apollinaire Ruhanga**


## Inama Nkenguzamateka

### Uruganda rw'ikinyamakuru

**Umukuru w'iyandikiro:**
Apollinaire Ruhanga

**Abanditsi:**
Benoît Ngendakumana
Clotilde Kampimbare

**Amasanamu:**
Prosper Bizimana

**Maquette et Impression:**
IMOBU,Tél.: (+257) 22 222214